Avocats Sans Frontières

ASF

AGATABU K'AMATEGEKO KAMURIKIRA UWUPFUNZWE

Bujumbura, Gitugutu 2014

www.asf.be

Kuntererano yatanzwe na

LA COOPÉRATION BELGE AU DÉVELOPPEMENT .be

Ibiro vy'i Bujumbura
Quartier Zeimet, Avenue Nzero 18
B.P. 2782
Bujumbura, Burundi
Tél. : 22 24 63 37

MENYA NEZA !

" Ukwidegemvya ni uburenganzira bw'uwo ari we wese, ugupfungwa bigirwa izindi nzira zose zananiranye"

www.asf.be

Aka gatabu kakozwe ku ntererano y'ubushikiranganji bw'Ububirigi bujejwe gufasha mw'iterambere. Yamara rero ibirimwo bibazwa Avocats Sans Frontières yonyene, si ngombwa ngo bihure n'ivyiyumviro vy'abatanze intererano.
© ASF – Gitugutu 2014

IBIRIMWO.

0. INTANGAMARARA.....3
1. UMUNTU WESE ATEGEREZWA KWIDEGEMVYA 4
2. NI RYARI UMUNTU ASHOBORA KWAKWA UBURENGANZIRA BWO KWIDEGEMVYA 5
3. GUPFUNGWA IC'AMASO 5
4. GUPFUNGWA VY'AGATEGANYO 8
5. IKIBAZO C'ABANA BAPFUNZWE 20
6. IKIBAZO C'ABAGORE BAPFUNZWE 22
7. GUSUBIRISHAMWO CANKE KWUNGURUZA URUBANZA..... 23

INTANGAMARARA

Kwishira no kwizana canke kwidegemvya ni vyo vyemewe n'amategeko. Kwakwa ubwo burenganzira bishoboka mu bihe bidasanzwe. Mugabo rero birashika kandi birategekanijwe n'amategeko ko umuntu abuzwa umwidegemvyo, igihe gito canke kirekire, bivuye ku caha yagirizwa canke umwanya amatohoza amara. Muri ico gihe umuntu arashobora gupfungwa ic'amaso canke vy'agateganyo. Amategeko y'igihugu canke mpuzamakungu ategeka ko ico gihe kiba gito kugira umupfungwa yagiye icaha abimenye kare, atacagiye naho arekurwe bidatevye.

Ico gihe kidasanzwe co kubuzwa umwidegemvyo kigengwa n'amategeko kuva umuntu afatwa, arekuwe vy'agateganyo,

abandanye apfunzwe vy'agateganyo, canke aciriwe umunyororo wo gupfungwa.

Intumbero y'aka gatabu ni kugira ngo uwupfunzwe ashobore kumenya amategeko agenga ipfungwa ryiwe, n'uburenganzira agumana. Ni ngombwa ko umupfungwa amenya ko naho apfunzwe aba abuze gusa ubwigenge bwo kwishira no kwizana, ubundi burenganzira arabugumana. Birakenewe ko amenya ivyo arekuriwe kugira birenzweko asabe ababijejwe kurenganurwa.

1. UMUNTU WESE ATEGEREZWA KWIDEGEMVYA.

- ✓ Ingingo ishinga ko umuntu **ategerezwa kwidegemvya**, ishigikiwe n'amategeko menshi, yaba amategeko mpuzamakungu Uburundi bwashizeko umukono, canke igitabo c'amategeko yerekana ingene imanza z'ivyaha zitihozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa, hamwe n'igitabo c'amategeko mpanavyaha.

- ✓ Ingingo ya 110 y'igitabo c'amategeko agenga ukugene imanza z'ivyaha zitohozwa zikaburanishwa ivuga ko ***« uwagirijwe icaha ntashobora gupfungwa urubanza rutaracibwa kiretse iyo habonetse ivyagiriji bikwiye bigaragaza ko yakoze nya caha kandi ivyo yagirizwa biboneka ko ari icaha gihanishwa umunyororo utari munsi y'umwaka ».***

- ✓ Nico kimwe n'ingingo ya 40 y'Ibwirizwa Shingiro ry'Uburundi yemeza ko umuntu wese aba ari **umwere** igihe ivyo akurikiranwako bitaragaragazwa mu ntahe itunganijwe hakurikijwe amategeko, uburenganzira bw'uwagirizwa icaha bwubahirijwe.

- ✓ ***« Nta muntu n'umwe akwiye guhagarikwa canke gupfungwa mu buryo bunyuranye n'amategeko »*** : ingingo ya 9 y'amategeko mpuzamakungu agenga agateka ka zina muntu canke ingingo ya 39 y'Ibwirizwa Shingiro ry'Uburundi.

2. NI RYARI UMUNTU ASHOBORA KWAKWA UBURENGANZIRA BWO KWIDEGEMVYA ?

- ✓ Inyamirabi irashobora gupfunga ic'amaso umuntu yikekwako icaha mu gihe gito no kubera impamvu zitegekanijwe n'amategeko ***kugira ngo arangure igikorwa ciwe co gutohoza***.

- ✓ Inyamiramabi irashobora kugumya umuntu kubera imvo z'umutekano : akaborerwe kanyomoje, kuba mu Burundi ata burenganzira umuntu afise, kugenzura ibiranga umuntu, indwara yo mu mutwe ishobora guta mu kaga uwuyirwaye canke abandi.

- ✓ Umushikirizamanza arashobora gupfunga vy'agateganyo umuntu yikekwako icaha ku mvo z'amatohoza gushika ku ngingo ya Sentare.

- ✓ Iyo umuntu yaciriwe igihano co gupfungwa urubanza rukaba rwaramaze kuba ntabanduka.

3. GUPFUNGWA IC'AMASO.

- ➢ Ugupfungwa ic'amaso bigizwe n'inyamiramabi zikorana n'abacamanza nk'uko bisigurwa mu ngingo ya 33 **ntigushobora kurenza** imisi indwi ikurikirana kiretse bibaye ngombwa ko umushikirizamanza afata ingingo yo

kucongereza n'aho nyene ntarenze incuro zibiri zico kiringo (ingingo ya 34).

- Umukenyezi afise imbanyi irenza amezi atandatu canke yonsa umwana atarashikana amezi atandatu ntashobora gupfungwa ic'amaso kiretse yakoze ivyaha bikomeye kandi iyo ukwo gupfungwa kurekuwe n'Umushikirizamanza mukuru wa Republika (ingingo ya 32,3).

- Ugupfungwa ic'amaso bitegerezwa gutunganywa ku buryo abagore n'abagabo badapfungirwa hamwe kandi bamwe bamwe bose bagacungwa n'abapolisi basangiye igitsina (ingingo ya 32,4).

- Ubushikirizamanza burashobora gutegeka umwanya uwo ari wo wose ko ugupfungwa ic'amaso bihagarikwa iyo bubona ko **bitari bifise ishingiro canke bitakirifise** (ingingo ya 34,2).

- Ugupfungwa ic'amaso ukwo ariko kwo kwose **bitegerezwa kugirirwa icegeranyo n'inyamiramabi** (ingingo ya 35). Inyamiramabi itegerezwa kwerekana muri ico cegeranyo amazina y'uwapfunzwe ic'amaso akazi akora, ibimuranga, umunsi, isaha naho yafatiwe, ivyatumye afatwa, ingene uwo muntu yamushikirijwe ameze, ko yamenyeshejwe uburenganzira bwiwe n'ingene yoshobora kubukoresha, umunsi n'isaha azorekurirwako n'igihe azomara ahagaritswe hamwe n'ingingo izofatwa ico kiringo giheze.

- Ugupfungwa ic'amaso, bituma uburenganzira bw'uwupfunzwe **bwo kuvugana n'abandi bantu bugabanywa.** Ariko bisabwe n'uwapfunzwe ic'amaso, Inyamiramabi iyo ariyo yose itegerezwa kumenyesha umuryango w'uwupfunzwe canke uwundi muntu wese

vyerekeye ko uwo muntu apfunzwe n'aho apfungiwe (ingingo ya 36).

- Igihe itohoza ryerekanye ko hariho ibimenyetso bikomeye bifitaniye isano vyotuma bashira icaha ku wupfunzwe ic'amaso, uwugikekwako ntasubira kwumvirizwa nk'uwapfunzwe ic'amaso iyo ngingo y'ukumupfunga ic'amaso ica ihagarikwa. Ategerezwa kandi guca ashikirizwa mu maguru masha Umushikirizamanza mukuru wa Republika na we agaca afata ingingo y'ukumurekura canke y'ukumurungika mw'ibohero (ingingo ya 37).

- Igihe ivyari vyatumye umuntu afungwa ic'amaso vyakozwe, no mu gihe ico arico cose, iyo ikiringo gitegekanijwe n'amategeko c'ugupfungwa ic'amaso kirangiye, uwo muntu ategerezwa gushikirizwa Umushikirizamanza mukuru wa Republika, **canke akarekurwa** ariko bigaca bimenyeshwa ubwo nyene uwo mushikirazamanza mu cegeranyo kivyerekeye (ingingo ya 38).

MENYA NEZA !

Iyo izi ngingo zitubahirijwe umupfungwa canke uwumuserukiye, aca asaba ko arekurwa.

4. GUPFUNGWA VY' AGATEGANYO

4.1. IBITUMA UWIKEKWAKO ICAHA APFUNGWA VY'AGATEGANYO.

Igitabo c'amategeko agenga ukungene imanza z'ivyaha zicibwa kirabisigura : umuntu arashobora gupfungwa igihe yikekwako icaha, mu kurindira ko urubanza rucibwa.

a. Ivyangombwa bituma uwikwekwako icaha apfungwa (ingingo ya 110) :

- Ivyagiriji bikwiye bigaragaza ko yakoze nya caha kandi ivyo yagirizwa biboneka ko ari icaha gihanishwa umunyororo utari munsi y'umwaka umwe (ingingo ya 110).
- Bitayeko, ugupfungwa vy'agateganyo ntibishobora kuba canke kubandanya kiretse iyo aribwo buryo bwo nyene bwotuma n'imiburiburi kimwe muri ibi bikurikira birangurwa :
    - Kugumana ivyemezo n'ibimenyetso biboneka vyerekeye icaha ; kubuza ko amasura n'abakorewe icaha baremerwa ngo bahindure, bahebe imburano zabo canke bene gukora icaha n'ababafashije baje inama yo kubesha ;
    - Kubuza ko umutekano uhungabana kubera ico caha cakozwe;
    - Kubuza ko icaha kibandanya canke gisubira gukorwa ;
    - Kugumiza uwukurikiranwa aho ashobora kuboneka ubutungane bumukeneye.

b. Ibisabwa umushikirizamanza iyo afashe ingingo yo gupfunga uwagirizwa icaha (Ingingo ya 111).

- Umushikirizamanza ararekuriwe kumuhagarika (n'umutahe wo kumuhagarika) abanje kumusambisha (ingingo ya 111).

- Umushikirizamanza yapfunze umuntu ategerezwa kumushikiriza umucamanza abifitiye ububasha kugira ngo yemeze canke ahakane uko gupfungwa mu **misi itarenga 15** kuva umunsi amupfunga.

C. Bigenda gute iyo ico kiringo c'imisi 15 kitubahirijwe ?

Uwagirizwa icaha arashobora gusaba sentare ibifitiye ububasha ngo ishinge ingingo yerekeye ukwo gupfungwa.

D. Ni gute umucamanza amenyeshwa iryo honyangwa ry'amategeko agenga ipfungwa ry'agategenyo ?

Uwagirizwa icaha arasaba sentare ibifitiye ububasha abicishije m'urwandiko ngo ishinge ingingo yerekeye ukwo gupfungwa, agaha ikopi y'imburano umushikirizamanza atwara uwujejwe urwo rubanza, urwo rwandiko rushirwako umukono kandi rukarungikwa n'uwurongoye ibohero apfungiwemwo.

MENYA NEZA !

Mu gihe umuntu yapfunzwe hadakurikijwe amategeko, umucamanza aca afata buno nyene ingingo y'ukumurekura (ingingo ya 112).

E. Umucamanza aca avyifatamwo gute ?

Kuva bashikirijwe urubanza, umugwi w'abacamanza batatu ba sentare ibifitiye ububasha utegerezwa gufata ingingo mu kiringo c'**amasaha atarenga 48** kiretse uwagirizwa icaha asavye ikindi kiringo kitarenza amasaha 48 kugira ngo yitegure (ingingo ya 113).

F. Ingingo ya Sentare kuri ico kibazo kijanye n'ihonyangwa ry'amategeko ifatwa gute ?

- ✓ Ingingo y'umucamanza yerekeye gupfunga umuntu ataracirirwa urubanza ishingirwa muntahe y'umwiherero bisabwe n'Ubushikirizamanza, uwupfunzwe yumvirijwe kandi abifashijwe n'umushingwamanza (ingingo ya 114,1).

- ✓ Ingingo y'ukurekura vy'agateganyo uwupfunzwe ntishobora gufatwa uwakorewe icaha canke uwumuserukira atarumvirizwa n'umucamanza kiretse badashobora kuboneka kubera imvo zidasanzwe.

G. Ikiringo c'ingingo igumiza uwagirizwa icaha mw'ibohero kingana gute ?

- ✓ Ingingo y'umucamanza igumiza mw'ibohero uwuriko arakurikiranwa ataracibwa urubanza imara **imisi 30** umusi ishingwa uharuwemwo.

- ✓ Iyo minsi iheze canke mbere bishoboka itaranahera, umushikirizamanza ategerezwa gusubiza umupfungwa imbere y'umucamanza kugira **asubire yemeze canke ahakane** ko abandanya apfunzwe.

- ✓ Ariko, ikiringo c'ugupfungwa vy'agateganyo ntigishobora kurenza **umwaka umwe** iyo nyene gukurikiranwa yagirizwa icaha gihanishwa umunyororo utarenza imyaka 5.
- ✓ Iyo icaha cakozwe gishobora guhanishwa umunyororo urenza imyaka itanu naho, ikiringo c'ugupfungwa ivy'agateganyo ntigishobora kurenza imyaka itatu.

MENYA NEZA

Ivyo biringo vyose vyavuzwe iyo birenzwe:

- ➢ Yaba uwupfunzwe, yaba umuyobozi w'ibohero arafise uburenganzira bwo gusaba umucamanza ko afata ingingo ijanye n'ipfungwa ry'uwagirizwa icaha.

- ➢ Umushikirizamanza yarenze ivyo biringo arashobora kuronka ibihano vy'akazi mbere iyo bibaye ngombwa n'ibihano mpanavyaha.

H. Ni ubuhe bundi buryo uwagirizwa icaha afise kugira ngo ashobore gutezurirwa iyo yagumijwe mw'ibohero canke ikiringo co kugumayo congerejwe ?

- ✓ Arashobora gutanga mw'iyandikiro ry'imanza amafaranga y'ingwati yemeza ko uwagirizwa azokwama arenguka igihe cose ubutungane bumukeneye, agatuma kandi ibihano bimubuza ukwishira n'ukwizana bikurikizwa mu gihe cose abitegetswe, iyo bikenewe agatuma harihwa indishi y'ivyononekaye kubera icaha cakozwe, amahadabu n'amagarama (ingingo ya 116,2).

- ✓ Ariko itangwa ry'iyo ngwati ntisigura ko uwuyitanze yemeye icaha.

- ✓ Arashobora kandi kurekurwa vy'agateganyo atarinze gutanga ingwati igihe ata buryo afise bwo kuriha ingwati. Muri ico gihe, uwagirizwa icaha asabwa kutabera intambamyi itohozwa no kwigenza neza.

- ✓ Muri ico gihe nyene, umucamanza ashobora gutegeka uwagirizwa icaha ibi bikurikira :
  - kuba mu micungararo y'aho umushikirizamanza afise icicaro ;
  - kutarenga aho yategetswe kuba ataronse uruhusha rw'umushikirizamanza amufitiye urubanza canke icariho ciwe ;
  - kutaja mu bibanza bimwe bimwe, canke kutahaba mu bihe bimwe bimwe umucamanza yamumenyesheje ;

- Kuja ararenguka imbere y'umushikirizamanza amufitiye urubanza canke imbere y'abandi bategetsi ku gihe yamenyeshejwe ;

✓ Ingingo igenga iryo pfungurwa vy'agateganyo ntitegerezwa gusaba ko ivyo vyose bikurikizwa. Iyo ngingo iratomora ibisabwa muri ivyo vyose.

✓ Bisabwe n'umushikirizamanza, umucamanza arashobora guhindura ibisabwa, maze agashinga ibindi bitumwe n'izindi mvo nshasha zikomeye.

I. None uwagirizwa icaha ntashobora kurekurwa burundu mu gihe apfunzwe vy'agateganyo ?

Umushikirizamanza arabishobora, igihe atarashinga urubanza imbere ya Sentare ibifitiye ububasha. Iyo uwagirizwa icaha aba yaratanze amahera y'ingwati, aca ayasubizwa (ingingo ya 118).

J. None ingingo yo kugumizwa mw'ibohero canke yo gutezurirwa umunyororo irashobora kwunguruzwa ?

✓ Uwagirizwa icaha ararekuriwe kunguruza ingingo imugumiza mw'ibohero mu kiringo c'amasaha 48 kuva akimenyeshwa iyo ngingo.

✓ Umushikirizamanza ararekuriwe kunguruza ingingo iha uwagirizwa icaha ugupfungurwa vy'agateganyo mu kiringo c'amasaha 48 kuva iyo ngingo igifatwa na Sentare (ingingo ya 126).

- ✓ Iryo yunguruzwa ry'urubanza rishobora kugirirwa mw'iyandikiro ry'imanza rya Sentare yafashe ingingo canke mubiro vy'umwanditsi w'imanza akukira sentare y'iyungururizo canke aho **abanyamabanga b'ibohero basanzwe bakorera** (ingingo ya 126).

K. Uwagirizwa icaha afatwa gute mu gihe habaye iyunguruzwa ?

- ✓ Mu kiringo c'ukwunguruza n'igihe urubanza rwungurujwe gushika rucibwe, uwagirizwa icaha aguma apfunzwe canke ari mu mwidegemvyo nk'uko umucamanza yabitegetse, igihe cose iyo ngingo izoba itarata igihe. Mu gihe umucamanza yari yamupfunze, uwagirizwa icaha aca aba aratezurirwa kuva ikiringo c'ukwunguruza kirangiye. Ariko, mu gihe ico caha kiri ku rutonde rw'ivyaha bihanishwa umunyororo utari munsi y'imyaka icumi umushikirizamanza arashobora, mu gihe ingingo yungurujwe ihakana ko uwagirizwa icaha apfungwa ivy'agateganyo, gutegeka ko abandanya apfunzwe, mu gihe naho iyo ngingo ihakanye kwongereza igihe co gupfungwa ivy'agateganyo, umushikirizamanza arashobora gutegeka ko uwagirizwa icaha aguma apfunzwe. (ingingo ya 127 y'igitabo c'amategeko agenga ukungene imanza z'ivyaha zicibwa).

- ✓ Umushikirizamanza afashe iyo ngingo ategerezwa kuyisigura.

MENYA NEZA !

N'ukuvuga ko muri ico gihe, iyo icaha uwagirizwa gihanishwa n'umunyororo uri munsi y'imyaka cumi, umushikirizamanza nta burenganzira bwo kumugumiza mu munyororo. Ategerezwa rero guca arekurwa naho umushikirizamanza yoba yunguruje (ingingo ya 127 y'igitabo c'amategeko agenga ukungene imanza z'ivyaha zicibwa)

L. Ingingo ya Sentare y'iyungururizo ifatwa mu mwanya ungana gute ?

Bigenda gute iyo uwagirizwa icaha atari mu kibanza aho Sentare isasa ?

- ✓ Nta zindi manza zisubira kuburanishwa n'umucamanza wa Sentare y'iyungururizo yashikirijwe urwo rubanza ivyerekeye iyo ngingo bidaheze.

- ✓ Adashoboye guserukirwa n'umushingwamanza canke uwumuserukira abifitiye uburenganzira, Sentare irafata ingingo yisunze inzandiko yashikirijwe (ingingo ya 128).

M. Bigenda gute iyo gukurikiranwako icaha vyahagaritswe, nyene gukurikiranwa apfunzwe vy'agateganyo ?

- ✓ Muri ico gihe aca apfungurwa (ingingo ya 131).

- ✓ Iyo sentare yashikirijwe urubanza uwagirizwa icaha agipfunzwe, arafise uburenganzira bwo gusaba iyo sentare ko yorekurwa vy'agateganyo mu kurindira ko urubanza rucika. Ingingo ifashwe hakurikijwe ingingo ya 132 irashobora kwunguruzwa iyo uwagirizwa icaha yagumijwe mw'ibohero (ingingo ya 132).

N. Bigenda gute iyo uwagirizwa icaha apfunzwe vy'agateganyo yejejwe icaha canke yahanishijwe ihadabu?

Muri ico gihe aca arekurwa naho umushikirizamanza yoca yunguruza urubanza (ingingo ya 203). Mu gihe naho yoba yaratanze amahera y'ingwati, baca bayamusubiza (ingingo ya 204).

4.2. UBURENGANZIRA N'AMABWIRIZWA VY'UWAGIRIZWA ICAHA NI UBUHE ?

a. Uburenganzira

- ✓ Uwagirizwa icaha aguma ari umwere gushika icaha kimwagiriye (ingingo ya 40 y'Ibwirizwa Shingiro).

- ✓ Uwagirizwa icaha kirazira ko akubagurwa canke agirirwa ayandi mabi ari mw'ibohero. Ategerezwa gufatwa runtu,

akubahirizwa mu gateka kiwe (ingingo ya 3 y'itegeko rigenga amabohero).

- ✓ Kumenyeshwa amategeko amugenga kuva acinjira mw'ibohero, co kimwe n'uburenganzira n'amabwirizwa amugenga (ingingo ya 11 y'amategeko agenga amabohero).

- ✓ Uwagirizwa icaha arashobora kumenyeshwa igihe ico ari co cose abisavye ico yagirizwa. **Uwagirizwa icaha afise uburenganzira bw'ukumenya aho itohoza rigeze** (ingingo ya 95 y'igitabo c'amategeko agenga ukungene imanza z'ivyaha zicibwa).

- ✓ Kwunganirwa n'umushingwamanza (ingingo ya 95 y'ico gitabu nyene).

MENYA NEZA !

Uwupfunzwe arafise uburenganzira bwo kurondera umushingwamanza amufasha mu rubanza rwiwe kuva agifatwa gushika urubanza rucike (ingingo ya 95 y'igitabo c'amategeko agenga ukungene imanza z'ivyaha zicibwa)

- ✓ We n'amasura yiwe ategerezwa kwagiranya n'abamushirako icaha (ingingo ya 124 y'ico gitabu nyene).

- ✓ Gucibwa urubanza mu kiringo kigereranye (ingingo ya 38 y'Ibwirizwa Shingiro).

- ✓ Uwagirizwa icaha arashobora gusaba sentare yashikirijwe urubanza ko imubohora canke imutezurira (ingingo ya 132 y'igitabo c'amategeko agenga ukungene imanza z'ivyaha zicibwa).

- ✓ Igihe uwagirizwa icaha arenze ku ngingo ya Sentare, maze umushikirizamanza agasubira kumupfunga, uwagirizwa icaha arafise uburenganzira bwo kungurunza iyo ngingo mu kiringo c'amasaha 48 (ingingo ya 121 y'igitabo c'amategeko agenga ukungene imanza z'ivyaha zicibwa).

b. Amabwirizwa y'abapfunzwe

Abapfunzwe ntibafise uburenganzira gusa. Barafise n'amabwirizwa bategerezwa gukurikiza. Kanatsinda, ibohero si ahantu ho guhanirwa gusa, ni kandi ahantu uwupfunzwe aronkera akanya ko kwisubirako kugira azosubire kubana n'abandi nk'abandi. Abapfungwa bategerezwa kwubahiriza amategeko ajanye n'indero yubahirizwa mw'ibohero. Ibihano canke gukurikiranwa mu butungane birategekanijwe iyo batayakurikije.

- ✓ Iyo bakurikiranywe mu butungane, bahanwa babanje kumenyeshwa ibirego kandi babanje gushikiriza ivyireguro (ingingo ya 43 y'itegeko rigenga amabohero).

- ✓ Uwupfunzwe ntashobora gusohoka ibohero atambaye umwambaro wemewe n'amategeko (ingingo ya 49 y'ingingo ngenderwako y'amabohero).

- ✓ Uwupfunzwe asabwa kwubahiriza amategeko no gukora ivyo vyose asabwa (ingingo ya 72).

- ✓ Abapfungwa barengutse imbere y'ubutungane bategerezwa kuguma mu kibanza uwubacunze yaberetse. Bakivamwo ari uko abahaye uruhusha (ingingo ya 74).

- ✓ Abapfungwa bategerezwa kuba bashitse aho barara igihe c'isaha cumi na zibiri kandi bategerezwa kwubahiriza agacerere kuva isaha zibiri z'joro gushika isaha cumi n'imwe zo mu gatondo (ingingo ya 75).

- ✓ Birabujijwe cane cane ko abapfungwa bakora ibiri kubiri n'imico; bavuza induru canke bakora ibikorwa bishobora gutuma haba umudurumbanyo, haba ku giti c'umwe umwe, canke vyokorerwa mu murwi; kwonona amazu canke ibikoresho babahaye; kwiba amatungo y'ibohero canke y'abo bapfungiwe hamwe; kugurisha canke kunywa ibiyayuramutwe (ingingo ya 76).

5. IKIBAZO C'ABANA BAPFUNZWE

Abana bagize umwe mu mirwi idasanzwe amategeko ajanye no gupfungwa yubahiriza mu buryo budasanzwe

- ✓ Ubwa mbere, kirazira kikaziririzwa ko abana batarakwiza imyaka cumi n'itanu bapfungwa (ingingo ya 28 y'igitabu c'amategeko mpanavyaha). Iyo bakoze ivyaha, hatangwa indishi gusa.
- ✓ Ubwa kabiri, umwana afise hagati y'imyaka 15 n'imyaka 18, iyo yakoze icaha gikomeye arashobora gupfungwa ariko ni mu gihe ata kindi coshobora gukorwa (ingingo ya 46 y'ibwirizwa nshingiro). Kanatsinda nawe nyene ikibanza ciwe si mu munyororo.

Mu gihe rero bibaye ngombwa ko bapfungwa, amategeko abagenga muri ico gihe yarafashwe kugira ngo agateka kabo kubahirizwe bivanye n'imyaka yabo.

- ✓ Umwana ntashobora gupfungwa kiretse ari ingingo ya nyuma. Muri ico gihe ipfungwa ry'umwana rimara umwanya muto cane ushoboka (ingingo ya 46 y'ibwirizwa nshingiro ry'Uburundi).

- ✓ Abana bakwije imyaka 15 mugabo batarakwiza imyaka 18 y'amavuko, mukubahana sentare zica inkoni ngufi zikagabanya igihe bopfunzwe (ingingo ya 29 y'igitabo mpanavyaha).

- ✓ Hariho izindi ngingo zishobora gufatirwa umwana aho kumupfunga: ukugabishwa, ukwibutswa gukurikiza amategeko, ugushikirizwa abavyeyi, umurezi canke

uwundi muntu w'umwizigirwa, ugushirwa mu kigo cigisha imibano, mw'ishure canke ikindi kigo kibigenewe gitanga inyigisho (ingingo ya 30 y'igitabo mpanavyaha).

- ✓ Umwana iyo apfunzwe ategerezwa gutandukanywa n'abakuze, kuroswa uburenganzira bwo kubonana n'umuryango wiwe, biciye mu nzandiko canke kugenderwa (ingingo ya 37.c y'amasezerano mpuzamakungu agenga abana).

- ✓ Abana bapfunzwe bategerezwa kuronswa imfashanyo zijanye n'amategeko hamwe n'izindi mfashanyo z'uburyo bwose, uburyo bwo guhakana ukubuzwa umwidegemvyo wabo imbere ya Sentare canke ubundi butegetsi no kuronka ingingo yihuta kuri ico kibazo (ingingo 37.d y'amasezerano mpuzamakungu agenga abana).

- ✓ Kumenyeshwa wenyene ivyo yagirizwa mu mwanya muto, canke biciye ku bavyeyi biwe canke abamwunganira; kuronswa imfashanyo zijanye n'amategeko n'izindi zose zimutuma ashobora gutegura no gushikiriza imburano ziwe (40.2.b.ii).

- ✓ Ubuzima bwiwe butegerezwa kwubahirizwa (40.2.b.vii).

MENYA NEZA !

- ✓ Umwana atarakwiza imyaka 15 ntafatirwa ibihano mpanavyaha, na cane cane gupfungwa.
- ➢ Umwana afise imyaka iri hagati ya 15 na 18, ingingo yo gupfungwa ifatwa iyo ata yindi ishoboka.
- ➢ Iyo umwana afise imyaka iri hagati ya 15 na 18 apfunzwe, harafatwa ingingo zidasanzwe zo kumukingira, sentare nayo mu kumuhana ica inkoni ngufi.
- ➢ Amategeko yandi akingira abantu bakuze iyo bapfunzwe, arakingira n'abana.

6. IKIBAZO C'ABAGORE BAPFUNZWE

N'abagore bari mu mirwi y'abapfungwa idasanzwe amategeko yitayeho mu kubakingira. Bijanye n'uko baremwe, amagara yabo, ibihe baba barimwo (bibungenze, bonsa abana) amategeko menshi yarafashwe kugira ngo agateka kabo ntigasinzikazwe igihe baba bapfunzwe.

- ✓ Gukingira umugore, na cane cane umukobwa muto, icaha co gusambanywa aho ariho hose, amabohero atibagiwe.

- ✓ Gukingira abagore bapfunzwe, bibungeze canke bonsa mu kubaronsa uburyo bujanye n'ibihe baba barimwo n'ukwubahirizwa kw'agateka kabo.

- ✓ Gukingira abagore bapfunzwe uburyo bwose bw'ikumirwa, gukubagurwa canke gukoreshwa ibitemewe n'amategeko (ingingo ya 45 y'amategeko agenga amabohero).

- ✓ Abagore bapfunzwe bapfungirwa ukwabo, batandukanijwe n'abagabo (Ingingo ya 46 y'itegeko ngenderwako ry'amabohero).

MENYA NEZA !

- ➢ Umugore apfunzwe ategerezwa kudakumirwa canke kudakubagurwa.
- ➢ Umugore apfunzwe ategerezwa gutandukanywa n'abagabo.
- ➢ Amategeko yandi akingira abantu muri rusangi arakingira n'abagore.

7. GUSUBIRAMWO CANKE KWUNGURUZA URUBANZA

Igihe cose atashimye urubanza, uwagirizwa icaha arafise uburenganzira bwo kurusubirishamwo canke akarwunguruza.

7.1 GUSUBIRISHAMWO URUBANZA

- Urubanza barusubirishamwo iyo urubanza baruciye impaga. Ni gake cane bishika ko sentare ica urubanza impaga kandi uwagirizwa icaha apfunzwe. Iyo biramutse bishitse, arafise uburenganzira bwo gusaba Sentare yaruciye ko yorusubiramwo kugira ngo ashobore kwumvirizwa (ingingo ya 254 y'igitabo c'amategeko agenga ukungene imanza z'ivyaha zicibwa).

- Arusubirishamwo mu kiringo c'imisi mirongo itatu ikurikira umusi abimenyesherejwe hongeweko igihe c'urugendo gitegekanijwe n'ingingo ya 143 y'igitabo c'amategeko agenga ukungene imanza z'ivyaha zicibwa.

- Urubanza rwaciwe impaga ruca rufatwa nk'uko rutigeze rucika iyo imburano ziwe zakiriwe.

7.2 KWUNGURUZA URUBANZA

- Uwagirizwa icaha aremerewe kwunguruza urubanza (ingingo ya 261 y'igitabo c'amategeko agenga ukungene imanza z'ivyaha zicibwa).

- Iyunguruzwa ritegerezwa kuba mu misi 30 ikurikira imenyeshwa ry'urubanza.

- Umushikirizamanza aremerewe kunguruza urubanza mu gihe c'imisi 30 kuva urubanza rugisomwa.

- Umushikirizamanza akukira Sentare y'iyungururizo aremerewe kunguruza urubanza mu gihe c'amezi atatu

kuva urubanza rusomwa (ingingo ya 262 y'igitabo c'amategeko agenga ukungene imanza z'ivyaha zicibwa).

- Uwaciriwe indishi aremerewe kungurunza urubanza mu gihe c'imisi 30 kuva urubanza arumenyeshejwe (ingingo ya 261y'igitabo c'amategeko agenga ukungene imanza z'ivyaha zicibwa).

- Uwurondera indishi canke abantu baciriwe kuyironka baremerewe kunguruza urubanza ku vyerekeye iyo ndishi gusa mu kiringo c'imisi 30 nyene (ingingo ya 262 y'igitabo c'amategeko agenga ukungene imanza z'ivyaha zicibwa.

MENYA NEZA !

- Kwunguruza urubanza ni uburenganzira butangwa n'amategeko. Nta muntu numwe canke urwego na rumwe rurekuriwe kubuza umuntu abishaka na cane cane umunyororo kunguruza urubanza.

- Iyunguruza ry'imanza rirafise ibihe ritegerezwa kugiramwo.Ivyo bihe birenze uwatsinzwe atunguruje kandi ata camubujije kubigira, amategeko afata ko yashimye urubanza, rugaca rukurikizwa.